**A SAMARITAN WOMAN AT THE WELL**
**JOHN 4:7-31.**
Lesson 58
Memory verse: “*Ho, everyone who thirsts; come to the waters; and you who have no money, come, buy and eat.”* **Isaiah 55:1**

## UMUGORE W’UMUSAMARIYAKAZI KW’IRIBA

**Icirwa ca 58**

**Yoh. 4:7-31**

Ijambo ngenderwako : "***Yemwe abafise inyota, ni muze ku mazi, kandi n’uwudafise amahera na we naze***" (Yesaya 55:1).

### I. Intangamarara

**Umwami Yesu yari aranguruye aja i Galilaya yumva ashatse guca i Samariya. Niho yagera kw’iriba rya Yakobo ahasanga umugore w’umunyasamariyakazi amusaba amazi yo kunywa. Uyu mugore aca atangura kumusigurira ivyo azi nk’ukuri kumibano yari ihasanzwe hagati y’abasamariya n’abayuda. Ibiyago birakomera gushika Yesu ashitse k’untumbero yico kiyago yatanguje. Ukwihana kuwo musamariyakazi, gushinga intahe mu mihana n’umuvyuro mu ba Samariya.**

### II. Ikiyago cabereye kw’iriba.

Yesu afata ingingo yo kuja i Galilaya, yategerezwa guca i Samariya kuko niho inzira yari isanzwe ica. Yari ahazi umutima urushe ukeneye kubohoka akawuhindura umwigisha wiwe mwiza. Ageze kw’iriba rya Yakoba ahahurira n’umugore w’umusamariya aje kuvoma.

Iri riba ryapima imetero 6 m´ubumanuko. Yesu aramubwira ati : Mpa amazi yo kunywa. Yesu nta mugozi yarafise ngo yivomere. Vyatangaje uyu mugore kubona amusaba amazi kandi ari umusamariya nawe ari umuyuda. Ibi vyatanguye kuva igihe umuryango wa Israyeyi wicamwo kubiri, imiryango ibiri (uwabayuda n’uwabenyamini) ikaba uruhande rumwe bitwa Abayuda.  Iyindi miryango cumi urundi ruhande bakitwa Ab’Israyeli.  Babise abi Samariya kuko bifatanije nabo

kandi bagakora ivy'imigenzo yabo mibi mu maso y'Imana.  Ugusenga kwabo kwari gutandukaneye kuko aba Samariya baranasenga izindi mana. Abayuda bo bagumije imigenzo ya Mose

Kuri Yesu mu gikorwa ciwe co kurokora abantu, ivy'amacakubiri ntiyabiha agaciri. Kuri we abazungu, abirabura, abatunzi, abakene... bose ni abagaciro mu nyonga z'Imana. Hari naho yasavye indaro  abasamariya barayimwima ariko ntivyamubujije kuhagaruka.

Umwami Yesu yabwiye uyo mugore ngo : « Iyo umenya uwugusavye amazi …. nanje nkaguha amazi y'ubugingo. »  Uku niko abenshi bataratahura ko amazi y'ubugingo yatanzwe muri Yesu Kristo. Yesu yarahamagaye ati : « *Abanyotewe ni muze kunywa ku mazi y'Ubugingo* » amahoro, umunezero, umugisha,agakiza… Vyose ntahandi twobisanga atari kwa Yesu. Imbi z'amazi y'ubugingo zaratanzwe kuri abo bose bavyipfuje. Ni Mpwemu Yera yasutswe kubari n'umubiri bose bemeye kumwizera no kumwakira.

**III. Ukwizera k'uyu mugore**

Umugambi wa Yesu mu gutanguza iki kiyago n'uyu mugore, kwari kugira ahinduke kandi ace amubera icuririzo kugira ahindura n'abandi basamariya benshi kuko vyari bigoye ko Yesu ajayo naririya yari Umuyuda kandi batomwemeye.  Ikibitwera ni uko ibiyago vyarinze birangira atamuhaye y'amazi yamusaba. Yabwiye intumwa ko ati indrya zanje ni ugukora ico uwantumye agomba.

Wa mugore abwira Yesu ati : « Mwami mpa rero ayo mazi, sinzogire inyota kandi sinzogaruke kuvoma. » iki nico uyu mugore yarakeneye kugira ubuzima bwiwe buhinduke. Yari umugore w'abagabo benshi barenga batanu, uwaza wese yaramwakira, yari arushe yarakeneye icomumara iyo nyota. Ibi navyo Yesu yari abimuziko kuko ata caha kinyegejwe imbere y'Imana. Abantu benshi bararuhijwe n'imitwaro bikoreye vyabananiye kuyizanira Yesu ngo abaruhure.

**IV. Gusengera m'Ukuri no mu Mpwemu.**

**Umur. 23 :** « Ariko igihe kiza kandi kirashitse, aho abasenga b'ukuri bazosengera Data mu Mpwemu no m'ukuri. »  abasamariya bari barubatse insengero k'umusozi Gerizimu hafi y'iri riba rya Yakobo kandi bakabishiramwo umwete. Ibi rero vyarabaye akaranda gakomeye ku bantu ndetse n'amashengero amwe amwe aho usanga barashinze imigenzo kanaka bategerezwa gukurikiza ngo bibafasha

kwegera Imana. barashizeho : Ivyambarwa , imisi yogusenga, imisozi yo gusengerako,… biyumvira ko bumvirwa bakurikije iyo migenzo.

**Ukuri :** Yesu niwe kuri. Umunyakinyoma nta mugabane ateze mu bwami kwa Data
**Mpwemu :** Abarongorwa na Mpwemu w'Imana nibo bana bayo. Kubera ko Ivyari amategeko bitashikanye abantu kukugororoka, Yesu ashinga ko abantu bose basenga barongowe na Mpwemu.

**V. Umusamariyakazi ahindutse, ahindura abandi**

Uyu mugore amaze kubona ko uwo bariko barayaga ashobora kuba ari we Mesiya, arizera. Arahinduka. Aca siga umubindi wiwe hano, arirukanga gukwiza ubutumwa bwiza mu kibano iwabo, nabo baza ari benshi bizera Yesu. **Soma : Yoh. 4:39-42.** Yabaye umwigishwa mwiza cane ahinduka nawe agahindura abandi.

**VI. Gushira mu ngiro.**

Umukiza arahamagara abafise inyota, kandi n'udafise amahera nawe naze agure arye ata mahera atanze. Ingabire y'amazi y'ubugingo yaratanzwe k'ubuntu ; niyo Mpwemu w'Imana ihabwa abamwakiriye. Nta mafaranga bigusaba. Abamufise nibo bana bayo. N'ubu arahamagara abo bose bagifise inyota y'ivyisi ati ni muze iwanje murashira iyo nyota mwuzure Mpwemu wanje. Nyuma yaho muheze mushingire intahe ijambo ryanje mubiwanyu.

Birashoboka ko woba unyotewe agakiza gashitse no kubatizwa na Mpwemu w'Imana, urashobora guhaguruka ubu nyene ugasenga Umwami Yesu ariho n'ubu arakumara iyo nyota aguhe ubugingo budashira. Amen

**A MIRACLE OF HEALING**
**JOHN 4:46-56.**
Lesson 59
Memory verse: “*Is any among you sick? Let him call for the assembly, and let the elders of the assembly pray for him.”* **James 5:14a**

**IGITANGAZA CO GUKIRA INDWARA.**

**Icirwa ca 59**

**Yohan 4:46-54**

Ijambo ngenderwako: “***Muri mwebwe namba harimwo uwurwaye, ni atumeko abashingantahe b’ishengero, baze kumusengera***. " **Yakob. 5:14a**.

**I. Ingendo za Yesu mu bisagara**

Muvyazanye Umwami Yesu mw’isi, harimwo no gukiza indwara n’ubumuga vyari biruhije abantu. Muri ico gihe, Yesu yaraboneraho n’akaryo ko kwerekana ububasha bwiwe bwo gukiza indwara no guharira ivyaha vy’abantu. Uko indwara yose yokwitwa iyikomeye imbere y’abantu irakira muri Yesu.

Amaze kubatizwa mu ruzi Yorodani, avuye i Kana yaciye aja i Kapernawumu aciye kunkengera y’uruzi Yorodani. Muri ico gisagara yahakoreye ibitangaza vyinshi kandi abenshi baramwizera. Yarakora ingendo ndende n’amaguru azunguruka ibisagara vyinshi kugira abenshi bamenye inzira yiwe biciye mu bikorwa bitangaje vy’amaboko yiwe.

**II. Umuhungu w’umutware akira**.

Iyi nkuru iratweka igikorwa ciwe ca mbere co gukiza indwara cabaye k’umuhungu wúmutware w’i Kapernawumu. Uyu yari yarumvise inkuru za Yesu, akipfuza ko amukiriza umuhungu arwaye. Yesu yakoze ikintu kugira arabe ko vyukuri afise ukwizera. Yesu amaze kubona ukwizera k’uyu mutware, avuga ijambo ry’ihumure k’ubuzima bwiwe ati :« *Genda umwana wawe ni muzima* » iri jambo rica riduza ukwizera kwiwe. Uyu mwana yaciye akira uyo mwanya nyene uyu mutware yizereyeko ijambo Umwami Yesu avuze. **Luk.1 :37** *« kuko ata jambo rivuye ku Mana ribura ububasha »*

## III. Inkomezi zikiza indwara.

Igitangaza nkiki nticosigurwa atari mu nkomezi z'Imana. Hari abivugira ngo ugukira indwara kuva mu vyiyumviro no kuvyishiramwo k'umurwayi. Niba arivyo canke atarivyo, iki gitanganza ntaruhara uyu murwayi yabigizemwo kugira akire. Cabaye igikorwa ca Mpwemu w'Imana kubwo urukundo yakunze abari mw'isi. Uku niko Umwami Yesu abikorera ababimusavye bamwizeye bose uyu musi. Ntibiterwa n'ukugororoka k'umurwayi canke abamusengera. Biva no kugushaka kw'Imana.

## IV. Intumbero y'ibitangaza vyo gukiza indwara.

Yesu ntiyakora ibitanganza ngo yimenyekanishe ko ari  uwuhambaye mw'ab'isi. Ubuntu n'urukundo vyiwe nivyo vyamutera gutabara abo bose bari barushe. Yarabikora imbere y'intumwa ziwe kugira niyo yasubira kwa se nabo bazobikore bavyigishe n'abandi bazosigara gushika agarutse. Kubw'ivyo ; izina ry'Uhoraho rizoshirwa hejuru mu bari mw'isi ndetse n'imitima yazimiye ibone umuco biciye mu bitangaza vyo gukira indwara.

Muri iki gihe canyuma, abenshi baratay intumbero mu gusengera abarwaye. Bamwe barabasengera bashaka ko bubahwa canke mbere, bironderera gushimirwa mu guhabwa amafaranga n'abo batagira ivyizigiro ku Mana. Umuntu wese yakiriye Umwami Yesu arashobora kwisengera no gusengera abandi Imana ikamwishura. « *Umve ndi kumwe namwe imisi yose, gushika ku muhero w'isi*. » **Mat. 28:20b**.

Ibi ntibirinda ko uba waduze k'umusozi kanaka, mu cumba kanaka, ngo usukweko amavuta ya Elayo yo muri Israyeli canke amazi yasengewe. Ivyo ni ibigirwamana. Amavuta ya Elayo ni uyu Mpwemu Yera yatanzwe kubari n'umubiri bose bizeye Umwami Yesu. Hari abizeye ibi bigirwamana, basanga baramaze gucika abarozi canke abapfumu gutryo baba bahushije ingabire y'ubugingo budashira canke mbere bakibwa ivyabo n'abo bigize abakozi b'Imana.

## V. Kuki abantu bazimirira muvyo gusengerwa indwara ?

Insiguro y'iki irahari. Babuze ukwizera. Kubera kamere y'icaha, umurwanizi agerageza kwereka abantu ko hejuru yo gusengerwa n'abashingantahe bo mw'ishengero, vyoba vyiza bifashishije ibindi bintu (amazi, amavuta, imiti y'ikirundi…)

Iyi nkuru y'uyu mutware iratwereka ko ijambo ry'Umwami Yesu ryakijije umuhungu wiwe atari na hafi yiwe. Ubu bubasha twarabusigiwe n'Umwami Yesu twese. **Marik. 16:17-18** « *kandi ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera ni ibi: bazosenda abadayimoni mw'izina ryanje ; bazovuga indimi nsha, bazofata inzoka, ni banywa ikintu cica,ntaco kizobagira na gato, bazorambika ibiganza kubarwaye, bakire.* »

**VI. Gushira mu ngiro**

Yesu yerekanye ubumana bwiwe mu nzira nyishi harimwo no gukiza indwara. Yarerekanye ko afise ububasha bwo guharira ivyaha vy'abantu, kandi akagira ubushobozi kuvyaremwe vyose. Niwe yaremye umuntu kandi niwe azi imyaka yo kubaho kwiwe muri ino si n'ikizotuma apfa.

Biragusaba uyu musi kumwizera udakekeranya. Niba hari ico wamusavye ataragukorera, mwizere urindire igihe ciwe. Birashoboka ko wabaye mu gukekeranya bituma uhungabana mu kwizera, urashobora guhaguruka ubu nyene aguharire, kandi agukize indwara ugendana n'ibindi bibazo umaranye imisi. Yesu ni inyishu.